# Impunzi ifashwa na reta kuba muri Canada

GAR



KIRUNDI

## Urupapuro rw´ibimenyeshwa

Ukaba ashaka kuba muri Canada kandi dosiye yawe ikaba yarakiriwe ikaja mu mwihwezo wambere imbere y'abarongozi ba Canada. Runo rupapuro ruraguha amakuru kubijanye n'urutonde rw' intambwe zikurikira rwongere runaguhe amakuru kuvyerekeye Canada.



Citizenship and Immigration Canada Citoyenneté et Immigration Canada

Canada

## Ivyo ukeneye kumenya kubijanye n'urutonde rwo ukuhaba

Itorwa ryawe nk´impunzi ibikwiriye (harimwo n’ iyishurwa ry´ibibazo wabajijwe aho bikenewe) n' intambwe nyamukuru mur'urwo rutonde rwo ukuhaba, ariko siyo ntambwe yanyuma.

Nimba waratowe ukemerwa kuhaba nk'impunzi ifashwa na reta (GAR) bizogufata amezi atandatu imbere y'uko ufata urugendo rwo muri Canada.

Ngibi ibizokurikira hanyuma.

**Itunganywa rya idosiye yawe**

- Mbere yuko dosiye yawe ishobora kwemerwa harimwo n'abagize umuryango wawe, mutegerezwa gukurikirana ibipimo vyo kwa muganga. Mutegerezwa kandi kuja mubiro bijejwe ubutungane kugira ngo bemeze neza ko ata kosa rikomeye mwoba mwarakoze muri kahise kandi utobera intambamyi kubijanye n'umutekano wa Canada.

Abategetsi bo muri Canada bazoheza rero bahitemwo yuko ukwiriye kuza muri Canada.

- Bishobora kuzofata amezi menshi uhejeje gutorwa imbere y'uko usabwa gukora ibipimo vyo kwa muganga.
- Abategetsi bo muri Canada bajejwe ivyo gutanga viza bazoheza bongere gusuzuma gusha dosiye yawe kugirango bemeze yuko ibipimo vyo kwa muganga n'ibibazo bijanye n'umutekano ko wabikoze.
- Mugihe utigeze ukora ibipimo vyo kwa muganga, wongere ube waraciye kubajejwe ubutungane kugira ngo bemeze yuko atacaha c’ubwicanyi canke kudurumbanya umutekano bikwagira, ntushobora gutorwa ng'ufashwe kuzoba muri Canada.
- Canada ica imenyesha ishira hamwe mpuza makungu rijejwe kwunguruza impunzi (IOM) canke irindi shiramwe ryahawe ako kazi na reta ya Canada mugihe wemererwe gufashwa kuba muri Canada kandi bakanataho bakitwararika ibikenewe vyose kubijanye n'urugendo rwawe.
- IOM canke irindi shiramwe rizoheza rigufashe kwitegura murugendo rwawe rw’ukuza muri Canada.
- Mubindi bihugu, bazoguha ubutumire bw’ ugukurikirana inyigisho zitangwa n'igisata co muri Canada muntumbero yokuguha inyigisho z'intango zerekeye n’ubuzima muri rusangi bwo mumahanga (COA). Umugambi wa COA ufatwa m'umugongo n'igisata kijejwe ubwene gihugu n'igisata kijejwe uruja n'uruza rw'abantu rwo muri Canada, hama bigashirwa mungiro kw'isi hose biciye muri IOM. Zino nyigisho zitangwa k'ubuntu. Muri zino nyigisho, muzokwigishwa kuvyerekeye Canada eka no kubijanye n'ibikorwa bijanye n'ukuba muri Canada mugihe ariho muzoba mugishika.

Kuja muri Canada

- IOM canke irindi shirahamwe rizokubwira itariki muzogirako muri Canada. Bazogufatira itike y'indege, bongere banakujane kukibuga c'indege, bagufashe n'ibikenewe vyose m'ukwuzuza impapuro kukibuga c'indege mugihe bikenewe.
- Mugihe udafise urupapuro rw'inzira canke icari cocose cogufasha kujabuka, Reta ya Canada izoheza ibigufashemwo muku kuronsa urupapuro ruzokworohereza urugendo muri Canada.
- Uburyo buzokoreshwa murugendo rwawe rwo muri Canada hamwe n'ibipimo uzoba wakoresheje kwa muganga bizokorwa n'ingurane reta ya Canada izoguha.
- Mukiringo kitarenze imisi 30 ushitse muri Canada, uzoca utangura kwishura amafaranga wakoresheje kubijanye n'urugendo rwawe hamwe n'ayo kwisuzumisha kwa muganga. Ushobora kuzokwishura iryo deni mugihe uzoba uriko urisuganya kandi bizogufata hagati y'umwaka n'imyaka itandatu mukwishura iryo deni ryose, ivyo bikazovana n'ukuntu ideni rizoba ringana.
- Uzoronka kandi amahirwe yo kurondera akazi kandi ukore muri Canada kugirango ushobore kwifasha hamwe n'umuryango wawe.
- Mugihe uzoba wahejeje gukora ibibazo n'impapuro zawe zikazoba zikwiye, IOM canke irindi shirahamwe rizoheza rero rigutware kukibuga c'indege, rigufashe n'ukwuzuza impapuro zo kw'injira bongere banagufashe kubijanye n'ibisabwa n'ibiro vy'uruja n'uruza kukibuga c'indege.

## Gushika muri Canada




Kuba ur'impunzi ifashwa na reta bisigura ko Reta ya Canada izogufasha gushika kukiringo c'amezi 12 muk'ukuronsa imfashayo ijanye n'uburyo mugihe uzoba ariho ugishika muri Canada.

Reta izongera kandi ikurihire n'uburyo uzokoresha kwa muganga uzoba ukeneye nyuma umaze gushika.

- Ushitse muri Canada, abakozi bajejwe uruja n'uruza kandi bakorera mugisata co gufasha, bazoguha ikaze bongere banagufashe kukibuga c'indege banateho bagufashe mumisi yambere mugihugu cawe gishasha.
- Bazokuronderera aho uzoba vy'agateganyo nk'inzu uzokwakirwamwo canke i Hoteli kugirango ube urahabaye gushika uronse inzu wipfuza aho ushoboye kuba ikiringo wipfuza.
- Bazogufungurira bongere banakwambike kandi uzoshobora guhuran'izindi mpunzi nkawe.

- Abakozi bo m'uruja n'uruza bajejwe igisata co gufasha bazokwishura ibibazo vyawe kandi banabandanye kugufasha  kwitunganya kubijanye n'ubuzima bwawe bushasha muri Canada.

Mundwi nke umaze gushika, uzoca utangura kuronka imfashanyo ijanye n'amafaranga ivuye muri Reta ya Canada. Ikazogufasha mukwifashisha muvyankenerwa nk'imfungurwa, intebe, utubati n'uburiri, impuzu eka n'ibindi bikoreshovyo munzu. Uzoronka agafashanyo kaburi kwezi mukiringo c'umwaka wose uzokoresha mumfungurwa n'uburaro. Reta izoheza igufashe kuvyo uzoba ukeneye mugihe ariho uzoba ugishika.

Vyongeyeho, ico gisata nyene kijejwe gufasha kizoguha urutonde ruzogufasha mubikorwa vya misi yose nk'uburyo bwogukoresha bus, ukuntu ukwiye gusaba umubonano n'umuganga canke kubijanye na banki.

- Ano mashiramwe ashobora kugufasha kwuzuza impapuro, kwama waronse urupapuro ruguha uburenganzira bwo kuhaba, gusaba asiranse ijanye n'amagara, n'inimero ya asiranse mubijanye n'umubano, n'ibindi n'ibindi.
- Baratanga imfashanyo kubijanye n'ugusigura canke gusobanura ururimi udatahura kubintu nkenerwa cane nk'ugusigurira abaganga ingorane ufise.
- Mur'ico gisata nyene barigisha igifaransa n'icongereza, ivyo navyo bikazogufasha kugirango ukemure ingorane ushobora guhura nazo. Bizoba ari ivyankenerwa cane mugihe ushoboye gutera imbere murizo ndimi kuko bizogufasha m'ubuzima bw'akazi, canke kworoherwa kuba nk'abandi banya Canada.
- Mugihe Reta ya Canada izoba iragufashishije n'imfashanyo yambere ngw'igufashe gutangura ubuzima muri Canada, nivyiza yuko uba ufise imigambi itomoye ushaka gushikako. Nivyiza ko wokwitegurira kwitanga rwose Kukazi kugirango ubeho neza cane muri Canada. Kazoza kawe muri Canada gahagaze k'umwete wawe.

## Gushirwa hamwe n'umuryango wawe



Mugihe c'urutonde rw'itorwa, abategetsi bo muri Canada bazokwibutsa ko wewe n'umutambukanyi wawe, hamwe n'abana bagukomokako mushobora kwuzuza dosiye imwe kandi mukazira rimwe muri Canada.

Mugihe habaye impinduka m'urugo rwawe ukahukana canke ukubakana n'uwundi, canke ukaronka uwundi mwana mumwanya ari uwariwo wose imbere yuko mufata urugendo rwo muri Canada, mutegerezwa kubimenyesha ishirahamwe mpuza makungu rijejwe impunzi (UNHCR) hamwe n'abategetsi bajejwe uruja n'uruza rw'abantu muri Canada, kugirango abagize umuryango wawe mushasha ngo bongerwemwo mw'idosiye yawe.

Nivyiza cane kumenyesha UNHCR hamwe n'abategetsi bajejwe uruja n'uruza rw'abantu muri Canada ko wipfuza yuko mwoja hamwe nk'umuryango.

Nivyiza ko mutanga urutonde rw'abagize umuryango wawe (Ugashiramwo abana bawe, benewanyu, bashikawe, abavyeyi  bawe n'umufasha wawe) nimba mubana canke baba ahandi.

Nivyiza ko ushiramwo abagize umuryango wawe naho kurubu batoba bipfuza kuba muri Canada.

Umuntu wese atazoba ari  muri dosiye yawe uwo ntazoheza ngo ashobore kuzoza muri Canada muri kazoza.

Ukaba ufise incuti canke abagenzi bahafi baba muri Canada kandi ukaba wipfuza kuba hafi yabo, vyoba vyiza ubimenyesheje UNHCR n' abarongozi bo muri Canada. Mubishoboka, Canada igerageza gushira hamwe impunzi bivanye n'imiryango aho ishobora kuronka imfashanyo ivuye kubantu bazi.

## Icemezo mugisata c'uruja n'uruza




Ushitse muri Canada, uzohabwa icemezo  co kuhaba burundu nk'umunyagihugu waho. Ibi bisigura ko ari uburenganzira bwawe kuba muri Canada imyaka yawe yose usigaje kubaho. Ushobora kuzokora canke ukaja kw'ishure.

Umaze kuba muri Canada mukiringo n'imiburiburi c'imyaka itatu (Imisi 1095) haheze imyaka ine kandi ukaba ukwije ibisabwa, urashobora gusaba ubwene gihugu bwo muri Canada.

## Aho uzoba muri Canada





Canada n'igihugu cakabiri kinini kw'isi kikaba gifise uturere n'ibisagara binini s'ico gusa kikaba gifise n'ibice vyinshi bitabako abantu.

Ivyo bice vyinshi murivyo bikaba biherereye m'ubumanuko. Utundi turere twinshi aho abantu baba usanga babana kure na kure kandi bikanafata umwanya muremure kuhashika, naho woba uri mu ndege.

Nk'akarorero urugendo ruri hagati ya Toronto na Vancouver rurenga ibirometero ibihumbi bine n'amajana atatu (KM 4300) canke bigatwara amasaha arenga ane muri mu ndege.

Ushobora gushirwa mugisagara kimwe muri ivyo. Mugihe wumva ko widegemvya kwimukira mukindi kibanza muri Canada, turagutera intege yuko woguma n'imiburiburi umwaka umwe muri ico gisagara washikiyemwo ubwambere. Aho ushobora kuronka uturusho kubijanye n'ivyo boba baraguteguriye.

## Imfashanyo muri Canada




Hariho imirwi igizwe n'imiryango hamwe n'amashirahamwe y'abagabo, abagore n'abana ushobora kujamwo. Ushobora kwifadikanya mubikorwa vyokwinonora imitsi nk'umupira w'amaguru canke kwoga mumazi kandi hari nibikorwa vyinshi mushobora gukora nk'umuryango bimwe ni kubuntu ibindi birarihwa.

Hakaba hariho amakoraniro yerekeye abantu bashasha muricogihe nivyiza ko uyajamwo ibi bikazogufasha kuronka abagenzi mu muryango kandi bitayeho bagufashe kumenyera ibikorwa mu karere uherereyemwo.

## Umuryango wo muri Canada



Murri Canada, abgabo n'abagore barangana. Bafise uburengazira bumwe kandi bakaba bubahwa kurwego rumwe. Abagabo n'abagore bava munzego zitandukanye, mumico itandukanye, mumoko n'amadini atandukanye barumvikana kandi bagafatwa kumwe. Urafise umwidegemvyo wo gushikiriza iciyumviro cawe muri Canada mugihe nawe usabwa kwubahiriza agateka kabandi. Ushobora kuba waramenyereye kubana n'umuryango wawe hafi kugirango ugushigikire. Birashobora gushika mugihe uzoba uri muri Canada usange uribanye mugabo ntuzoba uri inyakamwe. Hakaba hari ikubakiye, shikira uwundi muntu canke uvugane n'abagufasha canke uhamagare umwe m'umuryango wawe. Hariho abantu ino bashobora kugufasha kwiyungunganya kubijanye n'ubuzima muri Canada.

## Gufasha umuryango wawe



Umaze gushika muri Canada ushobora gufasha abagize umuryango wawe kuza muri Canada.

Birashoboka ko umara ikiringo kinini utubonana n'umuryango wawe. Uwugize umuryango wawe ni nka umuvyeyi, Sogokuru canke Nyogokuru, Umufasha wawe hamwe n'abana bagukomokako.

Menya neza ko bano bantu bari murutonde rw'idosiye yawe yo kuza muri Canada.

Bene wanyu, bashikawe, banyogosenge, banyokorome, bavyarawe n'abana bageze mubigero aba ntibashobora gufashwa mukindi gihe (hanyuma).

Menya neza ko umuryango wawe uzi neza aho uba muri Canada. Menya neza ko umuryango wawe uzi neza agasandugu ka posita yawe utibagiye igisagara canke intara uherereyemwo.

## Kuronka akazi







Naho wewe n'umuryango wawe muzoronswa uburyo m'umwaka wambere mugishika muri Canada coba ari iciyumviro ciza arihamwe uronse akazi ugashobora kwibeshaho hamwe no ugukurikirana umuryango wawe vuba bishoboka. Ukazoba umaze kumenya neza ururimi rw'icongereza n'igifaransa  bizoheza bikworohere kuronka akazi.

Menya neza ko naho woba ufise impamya bushobozi ya kaminuza canke urupapuro rw'umutsindo rw'amashure y'isumbuye canke urupapuro rutanzwe n'ishirahamwe ry'akazi, izompapuro ntizemerwa mui Canada.

Ruzoba ari uruhara rw'abarongozi muntara canke inama ijejwe amategeko yaho uherereye kugirango yemeze ko impapuro mpamya bushobozi zawe canke izindi ko zitomoye canke zemewe.

Ushobora kuba ushaka kurungikira amafaranga umuryango wawe wasize kugatumba. Urabirekuriwe kubikora, mugabo impunzi nyinshi birazigora kwibeshaho kuburyo boronka amafaranga acitse kuyo bari bafise ngo barungikire imiryango yabo yasigaye. Wibuke bizogufata umwanya kugira ngo wisuganye kubijanye n'ubuzima bwawe bushasha muri Canada.

## Uburyo bwo ugukoresha

Mugihe ushitse muri Canada uzoronswa imfashanyo y'amafaranga uzohabwa na Reta ya Canada mukiringo c'amezi 12. Iyo mfashanyo iheze uzoca wimenya mu kwirihira mubijanye n'uburyo bwo gusuma, inzu. Umuyagankuba. Amazi, impuzu n'amatagisi.


N'ivyankenerwa ko umenya ukungene ukwiye kwitunganya kubijanye n'uburyo bwawe.

## Ishure



Ntuzosabwa kurihira abana bawe amashure y'intango canke ayisumbuye. Abana bose kuva kumyaka 6 gushika ku myaka 16 bategerezwa kuja kw'ishure. Iri ni itegeko. Abanyeshuri benshi barakurikirana inyigisho z'amashure yishumbure gushika baronse urupapuri rw'umutsindo ( baba bafise hafi imyaka 18). Bamaze kurangiza amashure yisumbuye bamwe bashobora kubandanya kaminuza canke koreji, nimba bashoboye kuriha uburyo busabwa muri koreji na kaminuza.

## Kwivuza amenyo



Naho reta ya Canada ifasha kubijanye n'amagara, akarorero, nk'ukuja kubonana n'Umuganga, bazokurihira kubijanye n'indwara y'amenyo mugihe ari ivyihutirwa cane. Ivyo bikaba mu mwaka wambere ugishika muri Canada utongeyemwo uburyo bwo koreshwa mugihe urwaye amenyo bisanzwe. Ugiye kubonana n'umuganga w'amenyo uburyo buzosabwa buzoja ku gatwe kawe.

## Ibipfungurwa hamwe n'amazi



Amazi muri Canada nimeza abereye kunyobwa. Buri urugo rwosse rufise amazi ashushe n'ayakanye kubwinshi. Ushobora kuronka amazi mu mwanya wose uyakeneye haba kumurango canke mw'ijoro.

Ico wewe usabwa gusa ni u kwugurura ibombo canke ukaryugara mugiye uhejeje kurikoresha.

Muri Canada haba abantu bava mumico itandukanye urashobora kuronka imfungurwa wahora ufungura nk'umuceri, umukate, imboga z'ivyatsi, ibirungo, inkore n'inyama y'inkoko mu maduka bagurishirizamwo imfungurwa ari hafi yawe.

Canada ifise amaduka menshi azana izindi mfungurwa zidasanzwe nk'inyama y'impene idakunze kuboneka. Imfungurwa yitwa halal iraboneka.

## Amadini





Muri Canada hari amadini menshi. N'uburenganzira bwawe bwo kuja mw'idini ushaka.

Canada ico igusaba n'uko wokwubahiriza amadini abandi basengeramwo atandukanye n'iryawe. Ntibazogusaba canke ngo ufatwe ku kagobero guhindura idini ryawe. Umwidegemvyo w'amadini nikimwe amategeko yo muri Canada yubakiyeko.

## Ikirere

Hariho ibihe bine bitandukanye muri Canada nka hose : Spring, Summer, Automn na winter.

Canada n'igihugu kinini cane kurugezo rw'uko ikirere usanga kiri mugace kamwe gitandukanye n'icahandi. Spring itangura mu kwezi kwa (Ntwarane, Ndamukiza na Rusama) kiba ari igihe c'imvura

nko mubice vyose vya Canada kandi baba bafise n'ikirere gikanye. Summer itangura mu kwezi kwa (Ruheshi, Mukakaro na myandagaro) ikirere kiba gishushe nka hose mubice vy'igihugu. Kumurango ubushuhe bugera kugipimo c'ibice 20 rimwe na rimwe bishobora kuduga gushika ku bice 30. Automn itangura mu kwezi kwa (Nyakanga, Gitugutu na Munyonyo) ikirere kiba gikanye kandi hashobora kuboneka n'imvura. Mu mezi ya Winter (Kigarama, Nzero na Ruhuhuma) igipimo c'ikirere nka hose mugihugu haba hakanye cane kugeza kubice bingana 0 kandi bishoboke urwo rugezo rukamanuka rukaja kubice 30 munsi yo 0 ijoro n'umurango. Mugihe ca winter haba hakanye cane rero usabwa guca wambara impuzu zirinda imbeho.









## Amajambo y'impanuro asozera (Ahereza)

Gutangura ubuzima bushasha muri Canada biraryoshe mugabo bamwe birabagora. Bifata igihe kugira ngo umuntu amenyere nico gituma ukwiye kwihangana. Impuzi nyinshi zimeze nkawe zikiza ntivyazigoye kandi zikaba zarinjiye neza mu muryango wabanyakanada. Kuba uvuga icongereza canke igifaransa nivya nkenerwa cane mukuronka uburenganzira kubikorwa canke ivyo ushaka yuko bagukorera ivyo bikagufasha Kuronka akazi no kwisuganya mu buzima muri Canada.

Ukaba woronka akaryo ko kwiga ururimi mbere yuko uza muri Canada, ushobora kuzoca wongereza ubumenyi mururimi. Umaze gushika, ushobora kuronka akaryo ko kunonosora imvugo yawe gusoma be n'ukwandika. Ukaba ufise ico usaba canke ubaza uzotumbere abantu bari hafi yawe. Ibuka hariho abantu canke ibikorwa vyategekanijwe kugufasha.